**Bible lessons.** **Lesson 17** **GOD CONFUSED THE LANGUAGE OF MEN**
**Genesis 11:1-9**

**Memory verse: "Cursed is the man who trusts in man and makes flesh his strengths whose heart departs from the Lord"** Jerem. 17:5

## IMANA IYOBERANYA INDIMI Z'ABANTU

## ICIRWA CA 24

Itang.:11:1-9

Umurongo ngenderwako: "***Aravumwe umuntu yishimira abantu, akizigira inkomezi z'abari n'umubiri, umutima wiwe ukava k'Uhoraho***" (Yerem. 17:5).

**I. Intangamarara.**

Ighe umwuzure wakama isi yarisigayeko abantu umunani gusa : Nowa, umugore wiwe, abahungu 3 n'abagore babo. Bakavuga ururimi rumwe. Bamaze kurwira bakoze uyu mugambi bafise intumbero y'uko bokwironkera izina rya rurangiranwa mw'isi (impwemu yo kwishira hejuru). Bahitamwo kubaka umunara n'igisagara bikomeye.

Bwari ubugariji ku Mana. Abashakashatsi basanze hejuru yawo bariko bahategurira ikimeze nk'igicaniro n'ivyumba vyo gutangirako ibimazi vy'imana zabo zari zifise inkomoko i Babuloni bakavuga ko bo nazo aribo bashizwe hejuru mw'isi no mw'ijuru. Iyi mpwemu yo kwishira hejuru iri mmu bantu benshi, aho ashobora kuronka inzu agatangura kwishira hejuru.

**II. Umunara w'ubugumutsi**
Abantu bakiri mu mwijima imigambi yabo usanga ari iyiteye kubiri n'ijambo ry'Imana. Aba bari bafise ubwoba bwo kuzosabagirira mw'isi. Bahitamwo kubaka umunara ngo babeho uko bavyipfuza ivyaboneka nk'umugumuko mu maso y'Imana kuko yo yagomba ko iguma ari umutware w'abantu Zabu: 2:2-4

**III. Nimrod na Baburoni ihambaye.**
Nimurodi ni umwe mu bakomoka kuri Nowa, Nimurodi risobanura « rebellion » « umugumuko » yari umuhigi wa rurangiranwa. Ubu bubasha nibwo yakoresha mukwemeza abantu ico cose yumva agomba gukora gushika ni Babeli. Biboneka bitanezereza Imana. Itang.:10:9-10 ari naho yubatse uwo munara kandi haba intango ya Babuloni . Yabaye umutware wa mbere w'igitugu mw'isi. Babel ubwaryo risobanura « amarembo y'Imana » uyu yabaye intango <promoteur> w'igikorwa c'umugumuko w'abantu ku Mana. Ubukozi bw'ikibi. Umugumuko butangurira mu mutima w'umwe akavyigisha abandi. Nkuko na satani yagumuye abamarayika bigatuma batererwa ikizimu kubayo.

Babuloni yabayeho uwaka wa 2300 imbere ya Yesu isambuka 539 imbere ya Yesu. Ubu akaba ari i Mesopotanie hepfo ya Bagdad muri Irak.

IV.Muruvyaro rwa Nowa havukamwo abanyakibi

Umuntu avukana kameremere y'icaha. Nowa yari umugororotsi mu gihe co kwinjira ubwato, mubo yavyaye ntibababaye abagororotsi bose kugeza no kuri Nimurodi. Kuko Imana yari yamaze gushiraho isezerano ryo kutazorimbura isi kandi n'amazi, yahisemwo kubayoberanya indimi. Ntibahuze mu mvugo. Umugambi wabo uhagarare bemezwe ko mw'ijuru hari Imana isumba bose. K'umuntu, Imana yamye inigana n'ubukozi bw'icaha na bugingo n'ubu. Yesu gusa niwe aha ukwezwa umuntu kubw'amaraso yiwe.

**V. Indimi n'imvugo biyoberana.**
Imana isanze ko kubera bavuga ururimi rumwe vyatumwe baba umwe bagashobora kubaka uwo munara wobaye ikimenyetso c'ubwigenge kwabo ku mana (indépendence), kandi ko igihe cose bagomvye gokora ikibi bazogishikako. Ibayoberanya indimi n'imvugo.

Nico gituma ibihugu vyose bitavuga ururimi rumwe kugeza ubu. Ivyaha vy'abakera vyagiye bisiga ingaruka zikomeye uko urunganwe rwagiye rukurikirana kugeza ubu. Uhore wibaza iragi uzosiga mu bawe iryo aririyo. Kutumvikana vyabaye vyiza ku Mana kuko vyatumye basabagira mw'isi baravyara bararondoka bakwira isi nk'uko yari yarabwiye Adamu.

**VI. Aho isi igeze.**
Abigisha b'ijambo ry'Imana baremeza ko isi yagarutse mu gihe nk'iki ca Nimurodi. Bitegereje ingene isi iriko iriyunga kugira itwarwe kumwe musi y'ubutware bw'abanyakibi, birabonek ko Antikriso, umuvugishwa w'ibinyoma n'igisato vyifatiye isi. Amategeko yemerera gukora ibizira ashirwa mu ma bwirizwa nshingiro y'ibihugu. Uwusoma ni yiyubare.

**Gushira mu ngiro**
Iyo umuntu avutse ubwa kabiri aba abaye icaremwe gisha, ivyakera biba bishize. Niba utarashikira iyo ntambuko, guma mu ngoro y'Imana wumve ico ikubwira mw'jambo ryayo **zab. 84:10**, naha nyene Mpwemu Yera aba ariko araguhingura. Ntaciza kibaho nko kumva wahindutse ivyakera bigashira. Ube umunyakuri, urukundo no gushingira intahe Yesu aho ubaye bigume ari umwitwarariko wawe, vyose bishobokera uwizeye.